# Nimwirinde umwanda w'iki caha (c'ubusambanyi) Imana Allah Yabujije ko gikorwa. Uwo wese rero azokigwamwo, arakigira ibanga mu gihe Imana Allah Yamugumirije akabanga ntimugaragaze, aheze yibwirize kwigaya ku Mana Allah; kuko mu vy'ukuri, uwuzotugaragariza ibiri mu gitabu ciwe c'ivyaha, tuzomuhanisha ingingo mpanavyaha ziri mu Gitabu c'Imana Allah Nyenintsinzi, Nyenicubahiro

Mu vyakiriwe na Abdillahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) ni uko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahagaze mu nyuma yo gutera amabuye Al-Aslamiy, ica ivuga iti: "Nimwirinde umwanda w'iki caha (c'ubusambanyi) Imana Allah Yabujije ko gikorwa. Uwo wese rero azokigwamwo, arakigira ibanga mu gihe Imana Allah Yamugumirije akabanga ntimugaragaze, aheze yibwirize kwigaya ku Mana Allah; kuko mu vy'ukuri, uwuzotugaragariza ibiri mu gitabu ciwe c'ivyaha, tuzomuhanisha ingingo mpanavyaha ziri mu Gitabu c'Imana Allah Nyenintsinzi, Nyenicubahiro".

[صحيح] [رواه الحاكم والبيهقي]

Mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) yaratwiganiye ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahagaze inyuma y'aho ahereje gutera amabuye Maa'izi mwene Maaliki Al-Aslamiy (Imana Allah Imwishimire) mu gushira mu ngiro ingingo mpanavyaha y'igihano c'ubusambanyi, aca ashikiriza ijambo abari ng'aho ati: Nimwirinde umwanda w'iki caha c'ubusambanyi kiri mu vyaha vyabujijwe n'Imana Allah ko bikorwa; uwuzoramuka rero akiguyemwo, abwirizwa kugira ibintu bibiri: Ica mbere: ni uko yokwihorera maze bikaguma mw'ibanga mu gihe yagumirijwe akabanga n'Imana Allah, ntaheze ngo yiyandagaze mu kuyagira abandi icaha yaguyemwo. Ica kabiri: ni uko yokwihutira kwigaya ku Mana Allah ata kudandabagira (gutsimbatara) kuri nya caha ngo nzoba ndigaya; uwo wese rero azotugaragariza icaha ciwe yakoze tuzoheza tumuhanishe igihano mpanavyaha c'uwagiriwe n'ico caha, kiri mu Gitabu c'Imana Allah Nyenintsinzi, Nyenicubahiro.

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee